**REPUBURIKA Y'UBURUNDI**

**IBIRO VY'UMUKURU W'IGIHUGU**

**UBUNYAMABANGA BUKURU BWA RETA**

## ITANGAZO N$^{0}$ 08/2024 RY'INAMA IDASANZWE Y'ABASHIKIRANGANJI YO KU WA KANE IGENEKEREZO RYA 30 RUSAMA 2024

Inama idasanzwe y'abashikiranganji yarakoranye kuri uyu wa kane igenekerezo rya 30 Rusama 2024, i Gitega, irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu c'Uburundi, Jenerari Majoro Varisito NDAYISHIMIYE.

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu ahejeje gushikiriza urutonde rw'ivyihwezwa muri iyo nama rukongera rukemezwa, yaciye aha umwanya Umushikiranganji wa mbere ngo ashikirize ivyavuye mu nama nteguza y'iyo nama nshikiranganji yabaye kw'igenekerezo rya 28 Rusama 2024, ivyihwejwe na vyo bikaba ari ivyari ku rutonde rw'ivyigwa muri iyo nama nshikiranganji.

1. **Integuro y'ibwirizwa rishinga amafaranga Reta izokoresha mu mwaka wa 2024 ushira uwa 2025,** yashikirijwe n'umushikiranganji w'ikigega ca Reta, ubutunzi no gutunganya imigambi.

Itegurwa ry'amafaranga Reta izokoresha mu mwaka wa 2024 ushira uwa 2025 rije mu rukurikirane rw'ishirwa mu ngiro ry'impinduka ziri mw'ikoreshwa ry'amafaranga ya Reta rifatira ku bikorwa bitegekanijwe, no mu gushiraho ibitabo ntunganyamigambi bishasha.

Amafaranga ategekanywa muri uyu mwaka wa 2024 ushira uwa 2025 afatira k'ukugene ibiharuro vyerekana ukuntu ubutunzi buzokwiyongera, na vyo bikaba ari ibice bine n'ivy'ijana bibiri (4,2%) mu mwaka wa 2024, aho mu mwaka wa 2023 vyari ibice bibiri n'ivy'ijana umunani (2,8%), mu mwaka wa 2025, bikazoba ibice bitanu n'ivy'ijana bine (5,4%). Ukwo kwiyongera kw'ubutunzi kuva ku ngingo zafashwe na Reta mu kunagura ubutunzi no mugukomeza imigenderanire n'abasanzwe bafatanya n'Uburundi mu migambi y'iterambere.

Iyi nteguro y'amafaranga Reta izokoresha mu mwaka wa 2024 ushira uwa 2025 iherekejwe n'ibitabu vyerekana umwimbu uzoba washitsweko ku mwaka.

Muri uyu mwaka wa 2024 ushira uwa 2025, amafaranga azinjira mu kigega ca Reta azoba arenga gato imiriyaridi ibihumbi bitatu n'amajana icenda na mirongo ine n'imwe (3 941,11), aho mu mwaka wa 2023 ushira uwa 2024 yarenga gato imiriyaridi ibihumbi bitatu n'amajana atatu na mirongo irindwi n'imwe (3.371, 6), ni ukuvuga ko yiyongereye ku bice cumi na bitandatu n'ivy'ijana mirongo umunani n'icenda ( 16,89%).

Amafaranga Reta izokenera gukoresha yose hamwe arenga gato imiriyaridi ibihumbi bine n'amajana atatu na mirongo icenda n'indwi (4 397,46), mu gihe mu mwaka wa 2023 ushira uwa 2024 yari yakoresheje ayarenga gato imiriyaridi ibihumbi bitatu n'amajana indwi na na mirongo umunani (3 780,95). Ni ukuvuga ko yiyongereye ku rugero rw'ibice cumi na bitandatu n'ivy'ijana mirongo itatu (16,30 %).

Igihengeri kirenga gato imiliyaridi amajana ane na mirongo itanu na zitandatu (456,34) mu gihe mu mwaka wa 2023 ushira uwa 2024 carenga gato imiriyaridi amajana ane na mirongo ibiri na zitandatu (426,51).

Ivyo navyo bikaba vyatumwe n'imitahe Reta izoshira mu bisata bituma ubutunzi bwisununura, mu nyubako rusangi n'ishirwa mu ngiro ry'umugambi wo kugabanura ubusumbasumbane mu mishahara y'abakozi.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, yarayemeje, mu vyashikirijwe hakaba harimwo ibi bikurikira :

1° Ubushikiranganji bwose bwokurikiranira hafi ibisata bibukukira bikinjiza amafaranga kugirango ikigega ca Reta kibomboke ;
2° Ku vyerekeye uturusho dutangwa mu kwinjiza ibidandazwa (exonération), hoshingwa igiciro ntarengwa tutibagiye no ku ku miduga yo gutemberamwo ;
3° Gukuraho akarusho ku binjiza umwambiro wo mu bwoko bwa « Ethanol » ukoreshwa mu biboreza ;
4° Abakozi ba Reta bose baronse imishahara biciye mu busuma basabwa kuba bayisubije kugeza kw'igenekerezo rya mbere Mukakaro 2024, bitagenze uko bazoyakwe ku nguvu bongere bacibwe n'ihadabu ringana n'ayo mafaranga nyene (100%) ;
5° Gutegekanya mu mafaranga Reta izokoresha mu mwaka 2024/2025 imishahara y'abigisha bashasha ashika imiriyaridi 2.7

## 2. Indinganizo y'ingene ikigega ca Reta kizoba gitunganijwe muri uyu mwaka wa 2024/2025, yashikirijwe n'umushikiranganji w'ikigega ca Reta, ubutunzi no gutunganya imigambi.

Iyo ndinganizo y'ingene amafaranga ya Reta akoreshwa ku kwezi ku kwezi ifise amahangiro akurikira :

1° Kubona ku kwezi ku kukwezi amafaranga Reta ifise mu kigega cayo ;
2° Gukurikiranira hafi ingene amafaranga ariko arakoreshwa hafatiwe ku yinjiye; kugirango ntihahave hasohoka ayatinjiye ;
3° Gutanga ku gihe amafaranga akoreshwa mu bikorwa vya misi yose no kuriha bukebuke ibirarane kugirango Reta ntifatirwe ibihano bivuye ku guteba kuriha no kugira ngo ibirarane ntibigume vyiyongera.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo ndinganizo, yarayemeje.

## 3. Indinganizo y'ingene Reta ikurikiranira hafi ideni, yashikirijwe n'umushikiranganji w'ikigega ca Reta, ubutunzi no gutunganya imigambi.

Ibwirizwa rigenga amadeni ya Reta ritegeka ko hajaho indinganizo y'ingene Reta ikurikirana ideni ryayo ku kiringo kibayabaye, iyo ndinganizo ikaba iherekeza ibwirizwa rishinga amafaranga Reta ikoresha. Iyo ndinganizo iraheza ikisungwa mu gufata ideni.

Amahangiro ry'iyo ndinganizo ni aya akurikira :

1° Gufasha Reta mu kurondera uburyo iba ikeneye bitayivunye cane ;
2° Kuriha amadeni yaba ayo ngaha mu gihugu hagati canke hanze y'igihugu ;

3° Kugwiza aho Reta ishobora gukura uburyo bwo kurangura imigambi yayo, mu gihugu canke hanze y'igihugu.

Mu nzira zine zishoboka mu bijanye n'ingene Reta yofata ideni, iyi ndinganizo ibona ko vyiza ari uko Reta yoshira imbere gufata ideni hanze y'igihugu ariko ku nyungu itavuna, ariko igaheza igasubiramwo itunganywa ry'ingene ifata ideni mu gihugu hagati.

Inama nshikiranganji ieje guca hirya no hino iyo ndinganizo, yarayemeje.

4. **Umugambi wo guteza imbere inyigisho n'amagara y'abantu kugira ngo umuntu abe umutahe mw'iterambere ry'igihugu,**
   washikirijwe n'umushikiranganji w'ikigega ca Reta, ubutunzi no gutunganya imigambi**.**

Uwo mugambi uzofatwa mu mugongo n'ibanki y'isi yose ku miriyoni amajana abiri na mirongo itatu (230) z'amadorari y'Amerika, ufise ihangiro ryo gushigikira abigeme n'abahungu mu bijanye no gufungura neza, mu kuvurwa neza no mu kwiga neza mu mashure matomato.

Uzoshirwa mu ngiro n'ubushikiranganji bw'amagara y'abantu no kurwanya SIDA hamwe n'ubushikiranganji bw'indero n'ubushakashatsi.

Ubwo buryo buzokoreshwa mu mice itatu ikurikira :

1° Kugwiza amashure n'amavuriro kugirango umuntu abeho neza ubuzima bwose ;
2° Guteza imbere inyigisho mu mashure no kubungabunga amagara y'abantu ;
3° Gufasha mu gutunganya ishirwa mu ngiro ry'uwo mugambi.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza uwo mugambi yarawemeje.

Bigiriwe i Gitega, igenekerezo rya 31 Rusama 2024

**Umunyamabanga mukuru wa Reta**

**Jérôme NIYONZIMA. –**